Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:ndongozi.journal1939@gmail.com
Facebook : Journal ndongozi y'uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°840 1 Ruheshi 2025

# Papa Leon wa 14: «Ukwinjira icese mu mabanga yo kuba umusubirizi wa Petero mweranda»

Ku wa 18 Rusama 2025, inyuma y'iminsi 10 Karadinali Robert Fransis Prevost atorewe kuba umusubirizi wa Petero mweranda, yarahereje inkuka ya misa mw'isengero yitiriwe Petero mweranda i Vatikano yo kwinjira icese mu butumwa aheruka gutorerwa bwo kuyobora Ekleziya akikijwe n'abakaradinali, Abepisikopi n'abasaseredoti benshi.

Yongera arashikirizwa ibimenyetso bimwinjiza icese mu butumwa bw'umusubirizi wa Petero mweranda: icatabugabo n'impeta y'umurovyi; ku civugo ngo « In Illo Uno Unum» gisigura: « **Mu wuri Umwe, turi umwe.**»

Urwo rubanza rwari rwitabwe n'abakristu bashika ku 200 000.

Muri abo harimwo abaserukiye ibihugu n'ama Reta nka J D Vance icegera c'umukuru w'igihugu ca Reta zunze ubumwe za

Soma ku Rup. 5



Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Tugwize umwimbu tuzirikana ihangiro ry'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060 (Ibikurikira)

Barundi, Barundikazi, Bakozi, Bakoresha,

10. Imbere yuko notanga impanuro, reka ntangure ngire ico mvuze ku vyaranguwe ku ruhara rw'uburongozi bw'igihugu.

Burya ngo itara ryakije ntiryihisha ; ivyaranguwe birivugira.

Ku bijanye n'abakozi ba Leta, ico twari twiyemeje kwari kugira uburinganire bw'agashirukabute, abakora bimwe bagahabwa agashirukabute kangana.

Mvuze agashirukabute kuko umusuku w'abenegihugu ntahembwa nk'umunyakazi, kuko si umucangero.

Ico gikorwa rero caratanguye kuja mu ngiro naho hari abo twasanze baribagiwe kubera bakorera mu bisata bidasanzwe. Ariko na bo nyene borema.

11. Icatumye duteba, ni uko abo twatumye, twasanze muri bo, hari abatari bwamenye gutandukanya ibikorwa vy'abagenwa mu mabanga n'ibikorwa vy'abahinga.

Mu bisanzwe, abahinga ni bo baharurirwa agashirukabute, mu gihe abagenwa na bo babaha gusa agahimbazamusyi kiyongera ku gashirukabute bahora baronka ku gikorwa c'ubuhinga.

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Tugwize umwimbu tumenya ihangiro ry'igihugu cifasha mu 2024, giteye imbere mu 206..........4
o Uruhara rw'umukristu w'umukatolika mu buzima bwa politike no mu bihe vy'amatora..........8
o Abantu botegera bate ubuzima bwo mw'ibohero?..........9
o Uburenganzira bw'umwana atabana n'abavyeyi bompi..........10

# Idominika ya 7 Pasika: *Umwaka C*

**Igisomwa ca mbere:** ***Ibik.Vy'abat.: 7,55-60***

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa:

*(Ndiko ndabona umwana w'Umuntu ahagaze i buryo bw'Imana)*

Aho bamucira urubanza, Stefano yari yuzuye Mutima Mweranda. Muri ico gihe, yaciye araramura amaso araba ijuru, araheza abona ubuninahazwa bw'Imana, na we Yezu ahagaze i buryo bw'Imana. Niko kuvuga ati: "Ubu mbona ijuru ryuguruye, na we Umwana w'umuntu ahagaze i buryo bw"Imana." Ngo bumve batyo, baca baja mu vyo kugazuka bahogora, bazibira amatwi. Baraheza bamugwako, bamukwegera inyuma y'igisagara, bamwicisha amabuye.

Umusore yitwa Sauli niwe abamwagiriza bari bashinze imitamana yabo. Mu gihe bariko baramwicisha amabuye, Stefano yasaba avuga ati: "Mukama Yezu, akira umutima wanje."

Araheza arapfukama, ashira ijwi hejuru ati: "Mukama, ntubahore akabi bangiriye." Avuze atyo, aracikana.

**Igisomwa ca kabiri:** ***Ivyahishuriwe Yohani: 22, 12-14. 16-17.20***

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ivyahishuriwe Umutumwa Yohani:

*(Ingo se Mukama Yezu)*

Jewe Yohani numvise ijwi rimbwira riti: " Raba nzoza vuba, nzanye impembo, kugira ngo ngerere umwe wese, bikwiranye n'ivyo yakoze. Jewe ndi Alfa na Omega, ndi Uwa mbere n'Uwa nyuma, ndi Itanguriro n'Iherezo. Hahiriwe abamesuye ivyambarwa vyabo, kugira ngo bashobore igiti c'ubuzima kandi kugira ngo bace mu birimba bashike mu gisagara. Jewe Yezu, narungitse Umumarayika wanje kubemeza ivyo vyerekeye amakleziya. Jewe ndi wa munago wo kigishitsi ca Dawudi n'akabuto kiwe, ndi inyenyeri yo mu mutwenzi isayangana."
Mutima na wa mugeni nabo baravuga bati: "Ngw'ino." Uwunyotewe nawe n'aze, kandi uwubishaka ni yakire amazi y'ubuzima, ata co arinze gutanga. Uwemera ivyo aravuga ati: " Egome, nzoza vuba." Amen. Urakaza, Mukama Yezu.

## Inkuru nziza: *Yohani : 17,20-26*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Umukama yavuze ati: "Uwunkunda azozigama ijambo ryanje, na Data azomukunda, duheze tuze iwe."*

**Alleluya.**

*(Babe umwe nkuko natwe turi umwe)*

Mu gihe yari mu kuva kuri iyi si ngo asubire kwa Se wiwe, Yezu yariko arasenga, ahanze ijuru, avuga ati: "Si abigishwa banje basa nsabiye, nsabiye n'abazonyemera kubera ijambo ryabo, ngo babe bose umwe, nkuko wewe Dawe uri muri jewe nanje muri wewe, ni babe muri twebwe nabo nyene, isi yemere ko wantumye.

Narabahaye ubuninahazwa wampaye, ngo babe umwe nkuko turi umwe: jewe mbe muri bo nawe muri jewe, maze babe umwe rwose, ubumwe bwabo bwuzure, kandi isi imenye ko wantumye kandi ko wabakunze nkuko wankunze. Dawe, abo wampaye, nshaka ko aho ndi, nabo bahabana nanje, maze barabe ubuninahazwa bwanje kuko wankunze isi itararemwa. Dawe utunganye, isi ntiyakumenye, jeho yamara narakumenye, aba nabo baramenye ko wantumye. Narabamenyesheje izina ryawe kandi nzoribahishuka, maze urukundo wankunze rube muri bo, nanje nyene mbe muri bo."

**Kunda Ndongozi, Soma Ndongozi, Andikira Ndonkozi.**

Ikinyamakuru Ndongozi gifashe kano kanya ngo gishimire cane Umuryango w'Ababikira Bene Mariya (Imibano yawo igera kuri 36) ingene bakunze cane kandi bagasoma Ikinyamakuru Ndongozi y'Uburundi. Nishimirwe cane.

Ndongozi irashimiye cane Umuryango w'abakristu (216) ba Paruwase Mabanda basoma, bakigisha abandi gusoma Ndongozi kandi bagaterera Ikinyamakuru Ndongozi.

**Mwese mwamane imigisha.**

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana

**«Nibabe bose umwe, nkuko wewe Dawe uri muri jewe nanje muri wewe»**



Bavukanyi bakunzi b'Imana, twaraye duhimbaje Umunsi mukuru w'Iyurira rya Yezu Kristu mw'ijuru, aho avyagiye mu buninahazwa bwa Mana se.

Ariko rero, imbere y'uko yurira mw'ijuru, yabanje gusabira "abigishwa biwe, avuga ati: "Si abigishwa banje basa nsabiye, nsabiye n'abazonyemera kubera ijambo ryabo, ngo babe bose umwe, nkuko wewe Dawe uri muri jewe nanje muri wewe, ni babe muri twebwe nabo nyene, isi yemere ko wantumye.»

Ubwo bumwe abigishwa biwe bategerezwa kugira muri Yezu Kristu ni bwo bwaranze umudiyakoni Stefano, aho yitanga akemera gupfa hako ahemuka ku kwemera Yezu Kristu. Yararinze rugabo ivyariko biramushikira, aho yariko yicwa nabi azira Inkuru nziza ya Yezu, yemera kugumya ibanga kuko, ku bw'ijambo rya Krisu ryari ryaramunyuze, yari yabaye umwe na Yezu, yuzura ubuzima bwa Yezu, apfa ku bwa Yezu n'Inkuru nziza yiwe.

Stefano yasandavye ariko asabira ikigongwe, kumwe kwa Yezu, abariko bamwica nabi.

Ati: "Mukama Yezu, akira umutima wanje." "Mukama, ntubahore akabi bangiriye."

Intahe Stefano yashingiye Umukama, iratwereka neza ubukomezi Imana itanga ubw'ari bwo.

Ubwo bukomezi rero si ubw'imirya, ni ubukomezi bw'umutima (la force d'âme). Bene ubwo bukomezi bw'umutima, ntawubuhabwa n'ukurya n'ukunywa, ni ingabirano duhabwa n'Imana kuko bene ubwo bukomezi tubushirwamwo na Mutima Mweranda w'Imana.

Nibwo rero Yezu yavuga aho yabwira abatumwa biwe ati: "Muzoronka ubukomezi Mutima Mweranda azobazanira" , mbere Yezu avuga ko ari ubukomezi buva mw'ijuru (la force d'en haut).

Ni ubukomezi bw'umutima. Ni ubutwari bwo kwanka no kwankiriza ikibi n'igicumuro, mbere tukanakigwanya.

Nta muntu yoshika ku kintu nk'ico adafise ubukomezi bw'umutima. Ubwo ni bwo bukomezi Yezu Kristu yemereye abigishwa biwe.

Ni ubutwari rero bw'ukwanka n'ukurwanya igicumuro aho coturuka hose. Ni ukuba intatirigana kw'ibanga, ni ukuba intatinya urukamvye, ni ukugira ubutinyutsi mu rugamba rw'Imana.

Ni urugamba rw'ukugwanira ukuri, bw'ukugwanira ineza, bw'ukugwanira ubutungane, bw'ukugwanira ubuzima.

Ariko rero, ubwo bukomezi, ubwo butwari, ntibudukingira amagorwa canke amagume duterwa n'abadashaka kuba mu kuri canke ngo babe mu butungane.

Imana iduha ubwo bukomezi bw'uguhangana na vyo ngo dutsinde, kandi ngo dutsindishe intambara mahoro, dutsindishe urwanko urukundo, dutsindishe ikinyoma ukuri, dustindishe akarenganyo, ubutungane, dustindishe inabi ineza, nk'uko Stefano yabikoze.
Ng'ubwo rero ubukomezi dukwiye kwamana kandi tugasaba Imana kugira ngo abantu bose babeho kandi babane na bose mw'iteka bahawe n'Imana.

Nta n'umwe ashobora kuba umwana w'Imana w'ukuri, ataronse ubwo bubasha: "Abamwakiriye bose yabahaye ububasha bw'ukuba abana b'Imana."

Imana iraduha ubwo bubasha igihe tuyisavye, tuyemereye kuba abana bayo kugira ngo intsinzi yayo igaragare.

Natwe rero mu gihe tukirorereye aho azogarukira, dusabe Mutima Mweranda adukomeze tugume mu bumwe na Kristu.

Uwufise ubumwe muri Yezu Kristu niwe ashobora kuba mu bumwe bw'urukundo n'abandi nk'uko vyaranga abakirisu ba mbere, akirinda amacakubiri aho aturuka hose.

Ubwo bumwe kandi nibwo butuma umuntu arangura neza ibikorwa vy'urukundo n'ikigongwe, kuko aba ari kumwe n'abandi.

Ng'ivyo rero ivyo Yezu asabira abamwemera bose.

Dusabe kwama tunywana na Kristu mu bumwe kugira tuzosangire nawe ubukirwe mu bwami bw'ijuru.

Amen.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Tugwize umwimbu tuzirikana ihangiro ry'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060 (Ibikurikira)

(Bitangurira ku rup.1

Aha ndahanoganza kugira tubitahure kumwe. Uwugenwa mu mabanga, ayajamwo avuye mu gikorwa c'ubuhinga. Kandi iyo avuye kuri iryo bango asubira ku gikorwa c'ubuhinga. Ni ico gikorwa c'ubuhinga rero gifise agashirukabute kuko n'ipete riraduga.

Ubu rero ababijejwe bariko barasuzuma ivyo bikorwa vy'ubuhinga muri ivyo bisata bidasanzwe kugira bashinge agashirukabute kavyo.

12. Ica kabiri, kwari uguherekeza abakukuruke ngo bagire ubuzima bari mu karuhuko k'iza bukuru. N'ico gikorwa kiraremvye naho kitari caroshe.

Ivyigwa bigeze ku ntambwe ishimishije; igisigaye, ni ukurondera uburyo Reta yokwongerereza amashirahamwe ategekaniriza kazoza abakozi.

Kubera amikoro atari ikirenga, ico gikorwa kizokorwa intambwe ku yindi. Ubu tukaba turiko turaharura ibice kw'ijana vy'agashirukabute bahora bahembwa, vyoba biratangwa mu kurindira ko hatangwa agahembo kangana n'umushahara umukukuruke yari agezeko.

Tuzobikora isemo kw'isemo, kuko murazi ko n'ukuboko kwiyaga aho gushika.

Uko umwimbu uzoza uraduga, na bo bazodugirizwa. Ni co gituma dusaba abakiri ku kivi gukorana umwete n'ubwira kugira iryo hangiro turishikeko hakiri kare.

13. Ku vyerekeye abakozi atari abasuku; uburongozi bw'igihugu murazi ko bugendera ku civugo c'uko umunwa wose uronka ico ufungura, umufuko nawo ukaronka amahera. Ni yo ntumbero twashaka gushikako mu gushinga amakoperative ku mitumba yose, no kuyasahiriza mu kuyagurana umutahe w'intango.

Ni no muri iyo ntumbero twashizeho umugambi PAEEJ wo kurema umwidengemvyo w'urwaru-ka mu butunzi, no kuruha akazi.

Ni co catumye kandi dushiraho ibanki y'urwaruka n'iy'abakenyezi kugira zihe ingurane urwaruka n'abakenyezi bafise imigambi y'iterambere.

Mbere, twaciye dushiraho ikigega c'ubwishingizi FIGA kugira ngo abatagira ingwati mu gusaba ingurane boroherezwe.

14. Mu gisata kijanye no kuronderera kazoza abenegihugu atawusigaye inyuma, imiryango yugarijwe n'ubukene ntiyibagiwe.

Kugira nayo ironke inzira yo kwiteza imbere mu bikorwa, umugambi w'igihugu « MERANKABANDI » uheruka gukwiragizwa mu gihugu cose. Ku ntara 18, 12 ziramaze kuronswa uburyo ku miryango yababa ibihumbi ijana.

Muri uwo mugambi «MERANKABANDI », urugo rwose ruzoronka amafaranga ibihumbi mirongo indwi na bibiri, uko amezi abiri aheze.

Turizeye yuko inyuma y'imyaka ine ata murundi azoba acidoga ngo ndabuze ico nikenuza.

15. Kubera utwo twigoro twose, kuri uyu musi uri hejuru, abantu benshi ntibidoga, kuko mbere, hariho uburerе bavuga ko umukene ari ikinebwe gusa, kuko n'uwutagira umugambi araronka abamuha akazi.

Ubu turahaye turabona inyishu kuvyo twipfuza kuko, uteje amaso mu mitumba, urabona ko haca ibibatsi kubera amazu y'amabati ariko aragwira ku bwinshi.

Ico ni ikimenyetso kitabesha ko na nyarucari yatanguye kuba umukire. Erega turazi ko atawubakisha amabati n'amatafari aturiye yaraye ubusa.

Turabibona kandi iyo turiko turatemberera abenegihugu, kuko ubu, abagenda ibirenge bisa basigaye ku rushi; abambara ibishambara basigaye hake, mbere n'ingwara ziragabanuka uko bukeye uko bwije kubera benshi bafise ivyo bafungura.

Biraboneka kandi ko n'abarundi bafise amahoro ku mutima kuko ahatagira inzara ntihagira inzigo.

16. Turashimishwa n'ibikorwa vy'urwaruka, turabona ko bari ku kivi. Akabirya, nta kazi na kamwe bagifata minenerwe.

Ku rwaruka rw'ubu, ifaranga ntirigira akamoto, barihiga aho riri hose kiretse ukwiba.

Mu myaka ine umugambi PAEEJ umaze, waratumye igihugu cisununura, urwaruka rwinshi ruraronka n'akazi.

Birahimbaye kubona mu rwaruka rwafashwe mu mugongo na PAEEJ, harimwo abatanguye gukabakaba mu ntoki umuriyaridi w'amafaranga y'amarundi!

17. Turateye intege rero abarundi bose kugira babe abagwizatunga, gu-tyo dushike tudatevye kuri rya hangiro ry'umurundi ateye imbere.

Abagwizatunga bagiye imbere abandi mu kugira imigambi y'iterambere no gutanga akazi, ivyo basaba kugira umwimbu ugwire, turabizi.

Ni umuyagankuba kugira bahingure, ni amabarabara kugira bashobore kwunguruza ibidandazwa vyabo, ni kandi no kworoherezwa mw'irangurwa ry'imigambi yabo.

*Biracaza*

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Papa Leon wa 14: «Ukwinjira icese mu mabanga yo kuba umusubirizi wa Petero mweranda»

*(Bitangurira ku rup. 1*

Amerika, Marco Rubio umunyabanga wa Reta zunze ubumwe za Amerika, Zelensky umukuru w'igihugu ca Ukraine, Friedrich Merz umunyabanga wa Reta y'Ubudagi, Bayrou umushikiranganji wa mbere w'igihugu c'Ubufaransa, Giorgia Meloni yaserukiye igihugu c'Ubutariyano, Ursula Von Der Leyen yaserukiye igisata c'ibihugu vy'ubumwe bwa Buraya, n'abandi tutari-nze kudondagura.

***Uwo mugirwa wagenze gute?***

Igice ca mbere c'uwo mugirwa catanguye kw'isaha zitatu n'iminota itanu, aho Papa Leon wa 14 ari mu modoka yabigenewe, yazungurutse ku kibanza citiriwe Petero mweranda ahezagira ishengero ry'abantu bari baje kumushigikira.

Igice ca kabiri cabereye kumva ya Petero mweranda aho Papa Leon wa 14 ari kumwe n'abaserukira ama Ekleziya Katolika y'ubuseruko yagiye gusengera mu gacerere ku mva ya Petero mweranda.

Haciye hatangura urugendo rugana ahabera inkuka y'imisa ahagatiwe n'abadiyakoni babiri batwaye vya bimenyetso aja kwambikwa n'igitabo c'inkuru nziza.

Bahejeje gusoma inkuru nziza, isaha zine n'iminota 50 abakaradinale batatu bari bagenwe bari mu mice y'ubudiyakoni, ubusaseredoti n'ubwepisikopi baciye begera papa Leon wa 14.

Uwa mbere aca aramwambika icatabugabo, uwakabiri ashiriza igisabisho Imana amusabira ngo Imana imwame hafi.

Inyuma yico gisabisho, yaciye amwambika impeta y'umurovyi.

Inyuma yaho baciye bambaza Mutima Mweranda ngo arungikire Papa ubukomezi n'ubwitonzi bwo kugumya mu bumwe intama yamushinze. Papa yaciye ahezagira abari aho akoresheje igitabo c'inkuru nziza.

Umugirwa wakurikiye ni uwo kwemera kugamburukira Papa, aho abantu 12 bavuye mu mpande



*Bariko bambika Papa Leon wa 14, Impeta y'umurovyi*

zitandukanye z'isi baciye imbere yiwe bemera kuzomugamburukira bakaba baserukiye isinzi ry'abakatolika bakwiye ku mpande zose z'isi.

Inyuma y'iyo migirwa hakurikiye insiguro y'ijambo ry'Imana, aho Papa yerekanye mu nsiguro yiwe yashikirije abari aho, ishingiro y'ubutumwa bwiwe.

Na bwo ni : uguharanira amahoro n'ubumwe bw'ubusho Imana yamushinze.

Papa Leon wa 14 yipfuza gushingira intahe urukundo, ibiganiro, ugutegerana ari navyo bitsinda mu mitima y'abantu urwanko rukwega intambara, intambara ituma abavukana bafatanirako ibirwanisho, canke bagakomeretsanya biciye mu majambo akomeretsa abandi.

Abandanya yerekana ko umusubirizi wa Petero ategerezwa kurangwa n'urukundo busuku hamwe no guheba ubuzima ku bwiwe no ku bwa benewabo.

Akamenyesha ko Ekleziya ya Yezu Kristu ishinze imizi i Roma atari iyo gukandamiza abo ijejwe canke gupfungira abantu mu butegetsi bushingiye ku gikenye.

Ni nyabuna ugukunda nkuko Yezu Kristu yakunze. Nico gituma Petero ategerezwa kuragira intama mu kwirinda kuba uwuri hejuru yabandi no kuba uwugaba abo Imana yamuragije.

Akaziragira mu kuba umusavyi w'ukwemera kw'abenewabo, atambukana nabo. Yaheraheje iyo nyigisho atumirira abakristu ngo bamurikiwe n'umuco wa Mutima Mweranda bubake Ekleziya ishingiye ku rukundo rw'Imana ikimenyetso c'ubumwe, Ekleziya imenyesha inkuru nziza, ikongera ikaba umwambiro w'ubumwe bw'abantu bose.

Tubamanyeshe ko Reta y'Uburundi yari yaserukiwe n'icegera c'Umukuru w'igihugu cacu Prosperi Bazombaza ari kumwe n'umutambukanyi wiwe.

**M S V Marie Goreth Ndikumana**




*Impeta y'umurovyi n'icatabugabo*

# Tumenye ivyo twemera, tubigendere, bidukomeze mu kwemera

Yezu Kristu rero muri Bibiliya ni we karangura k'imihango yose Imana yagiye iribukiriza mu bihe vyinshi gushika naho umuco wiwe ushira ahabona, mu mwakaka wuzuye, ico Imana ishaka. Niwe Mesiya yaje kwugurura ikiringo gishasha c'ugusasagaza Ubwami bw'Imana mu bantu, akaba ari we mushinge w'Ekleziya (1Abanyakorenti 3,11) n'ibuye rya mbere rizimwa (1 Petero 2,4).

Ni we kandi yashinze umuryango w'Ekleziya igikorwa c'ukubandanya uteza imbere igikorwa yatanguje mu bantu co kubarangira Imana y'ukuri no kubakiza.

Koko, nk'uko Augustinoa mweranda abivuga, "Ubwuzure bushasha bwihishije mu bwa kera, ubwa kera na bwo buhishurirwa muri Bushasha". Ni co gituma Ekleziya itinuba namba Ubwuzure bwa kera nk'uko abahuvyi bamwe bamwe bavyiyumvira mu minsi ya mbere y'Ekleziya; ahubwo yoyo, ubwo Bwuzure bwa kera irabwitondera, ikabusuzuma kandi ikabusoma urupapuro ku rundi iburonderamwo amajambo, ivyakozwe, imvugo ngereranyo, ivyashikiye abantu ba kera n'ibindi vyose bivugwamwo bitegura kandi bikabura ibibwirizwa kurangukira muri Krisu no muri Ekleziya yiwe.

### *Bibliya iyagira abantu gute?*

Ekleziya ntikekereza na gatoyi ko muri Bibliya ariho Imana iyagira. Ni co gituma, igisomwa cose kiri muri Bibliya, mu gihe c'amasabamana, gihereza kuri iki cemezo ngo' "Ni ijambo ry'Imana".

Turabe mu bikurikira, imvo n'ingiro y'ico cemezo camye mu bakristu kuva kera.

### Ni ubuhe buryo Bibiliya ikoresha mu kuyagira abantu ?

Duhere ku majambo y'Urwandiko rw'Inama nkuru y'Ekleziya ya Vatikano ya kabiri, ruvuga ruti : Ko mu vyanditswe vyeranda, Imana yavuze iciye ku bantu kandi mu buryo bw'abantu nyene, uwusobanura ivyanditswe vyeranda, kugira ngo ategere ico Imana yashatse kudushikiriza, ategerezwa kubanza kurondera yitonze ico abanditsi beranda bashatse kuvuga, ari na co Imana iba yarashimye guhishura ikoresheje ijambo ryayo kugira ngo umuntu amenye neza iciyumviro c'abanditsi beranda, mu vyo ategerezwa kumenya, harimwo n'ivyerekeye imvugo n'uburyo bw'ukwandika bw'ico gi-he ukuri gushikirizwa kwinshi kandi kugashirwa mu nzandiko mu buryo butandukanye, haba mu kwigana ivyabaye, mu bahanuzi, mu vyivugo canke mu bundi buryo bw'ukuvuga.

Ni nkenerwa rero ko uwusobanura ivyanditswe vyeranda atohoza neza iciyumviro umwanditsi mweranda yashaka gushikiriza kandi yaseruye mu gihe n'abantu kanaka, hakurikije uko ibintu vyari bimeze mu gihe ciwe no mu mico yiwe, akoresheje n'uburyo bw'ukwandika bw'ico gihe ». (Soma Inama Nkuru ya Vatikani ya 2, Ijambo ry'Imana ''Dei Verbum '',n.°12).

N'abanditsi bashikiriza ijambo ry'Imana, umwe wese aragumana akaranga yisangije n'uburyo bwiwe bw'ugushikiriza iryo Imana imutumye, bikavana kandin'igihe aba agezemwo.

Kugira umuntu ategere abanditsi ba Bibiliya, birakenewe cane kumenya imibereho umwanditsi wese yakuriyemwo agakoreramwo.

Nta wokwibagira kandi uruhara rw'ubushakashatsi, kuko no mu bijanye n'ubuhinga mu vyerekeye uko umuntu ameze, uko ikirere kimeze, uko isi imeze, aho igarukira, umwanditsi wo muri Bibiliya avuga ibintu akurikije uko vyari bizwi n'abantu bo mu gihe ciwe. Si ivyo gusa, no mu vyerekeye imigenzo y'abantu, igihe cose kigira urugero rwaco.

Mu buzimabw'abantu muri rusangi, ubumenyi bwose bugenda buratera imbere buhoro buhoro. Uko Aburahamu n'abandi ba sokuru bari bazi Imana, si ko Musa yari ayizi, kandi na we nyene ntiyegereza, mu kuyimenya, uko Abanyisrayeli bari bayizi aho baviriye mu ntara ya Babiloni aho bari barajanywe kugirwa imbohe ; tutavuze rero urugero rusumbirije abakristu bashitseko muri Yezu Kristu.

Umusomyi atitonze ngo aze arashira igisomwa cose mu mibereho candikiwemwo, birashobora kumugora cane gutegera ivyo ariko arasoma, mbere rimwe na rimwe akarambirwa.

Iruhande y'ivyo, hariho n'imvugo ikwiye kwitonderwa: ibitabu bigize Bibiliya vyanditswe mu ndimi zitegereye cane ururimi rw'ikirundi, ari na co gituma harimwo ibintu bimwe bimwe usanga bitagira ico bihuriyeko n'ibivugwa mu kirundi.

Vyinshi muri izo ndimi bivugwa hakoreshejwe imvugo ngereranyo n'ibimenyetso tudafise mu kirundi. Ivyo rero mu kubishira mu kirundi, hakoreshwa ukwegereza iciyumviro gusa, kuko bidashoboka kubigira ijambo ku rindi, ico rero kigatuma imvugo zimwe zimwe zidaca zishoka zumvikana. Ivyo bigasaba ugutohoza cane.

Muri Bibiliya rero hari uburyo bwinshi Ijambo ry'Imana ryanditswemwo. Uko biri kwose, imbere yo gusoma igitabu ico ari co cose, ni vyiza kubanza kumenya ubwoko bw'-imvugo ico gitabu kiba caranditswemwo.

Nk'akarorero, umuntu a-kamenya ko imvugo y'inkuru nziza idasa n'iyikoreshwa mu makete, canke ko imvugo iri mu gitabu c'Ubwitonzi, idasa ncanke itandukanye n'imvugo ikoreshwa mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohani.

*Biracaza*

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Mu Burundi, habonetse ubworozi butari bumenyerewe

**Rusansuma nkuru y'abanyagihugu, uburaro, uburimyi n'ubworozi mu Burundi mfatakibanza yerekana ko mu gihugu cose c'Uburundi, hari impene 379 318 n'intama 2 672 662, inkwavu ni imiriyoni 1 371 584, ingurube 850 297. Urwo rusansuma rwerekana ko mu Burundi inka zoba zishika 782 462.**

**Ivyo bitungwa bikaba vyorowe uku gukurikira mu ntara zose zigize Uburundi :**

| | Inka | Impene | intama | ingurube | inkwavu |
|---|---|---|---|---|---|
| **Mu Burundi bwose, hari :** | **782 462** | **379 318** | **2 672 662** | **850 297** | **1 371 584** |
| . **Buhumuza** | 77 465 | 27 574 | 638 537 | 87 619 | 211 384 |
| . **Bujumbura** | 122 020 | 60 051 | 372 431 | 178 628 | 208 515 |
| . **Burunga** | 259 874 | 188 382 | 474 533 | 134 566 | 139 068 |
| . **Butanyerera** | 137 537 | 47 127 | 645 639 | 196 024 | 392 195 |
| . **Gitega** | 185 566 | 56 184 | 541 522 | 253 460 | 420 422 |

Mu Burundi , hariko haragwira ubworozi butari bumenyerewe : ubwo na bwo ni ubworozi bw'insazi, bw'ibifyera, bw' ibikogoshi n'ubw' ibikere.

Muri rusansuma mfatakibanza ruheruka gukorwa mu Burundi, mu mwaka wa 2024, basanze ingo 933 zirorora insanzi, ingo 445 zikorora ibifyera, ingo 438 zikorora ibikere, hanyuma ingo 490 zikorora imisiba. Ng'uku uko intara zinushanya mu kworora :

| Igitigiri c'ingo zorora | Insazi | Ibifyera | Ibikere | Imisiba | Ingo zose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|
| 1. Buhumuza | 203 | 113 | 104 | 113 | 416 068 |
| 2. Bujumbura | 152 | 66 | 59 | 95 | 461 754 |
| 3. Burunga | 117 | 74 | 73 | 78 | 441 362 |
| 4. Butanyerera | 311 | 104 | 113 | 112 | 522 250 |
| 5. Gitega | 150 | 88 | 89 | 92 | 494 561 |
| **Mu Burundi bwose, ingo** | **933** | **445** | **438** | **490** | **2 332 995** |

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Uruhara rw'umukristu w'umukatolika mu buzima bwa politike no mu bihe vy'amatora (Ibikurikira)

**Inyifato y'umukristu muri politike**

Bivanye n'ico umuntu akora mu buzima bwiwe, hariho n'inyifato itegerezwa kumuranga ijanye n'imirimo ashinzwa. Ari na co gituma umukristu ari mu vya politike ategerezwa:

- Kuba umuntu yizewe: Umukristu ategerezwa kuba ntamakemwa, akorera mu muco, yitangira abandi mu kurwanya igiturire, akamwana wamama, akarengenganyo, ingeso mbi n'ibindi;

- Gushira imbere ikiyago n'ubumwe mu kwirinda amacakubiri n'ugushamirana, kwubahiriza ivyiyumviro vy'abandi, gukomeza ikiyago cubaka ;

- Gukurikiza agatimampanuzi k'umukristu: Akenshi ntivyoroshe kunywanisha ukwemera na politike.

Ariko umukristu ategerezwa gukurikiza agatimampanuzi kiwe kamurikiwe n'Ijambo ry'Imana n'inyigisho z'Ekleziya ;

- Kuba uwufasha ko ibintu bihinduka : yaba umukozi wa Reta canke uwatowe, umukristu ateregerzwa kuba uwuntu aterera umuganda kugira ngo ibintu bihinduke aho ahereye, bihinduke bija imbere, impinduka ifatiye ku rukundo n'ukuri ;

- Politike ni ikibanza c'ukwitagatifuza: Politike itegerezwa kuba inzira y'ukwitagatifuza igihe umuntu ayigiyemwo kugira akorere abandi, n'ugutagatifuza abo musangiye ivyiyumviro n'abo mutabisangiye nyene kuko ibikorwa dushinzwe ngaha kw'isi n'ivyo bizoducira urubanza imbere y'Imana.

N'ibikorwa vya politike rero birimwo mu bitegerezwa gutagatifuza uwahisemwo kubijamwo.

Umukristu agiye mu vya politike yategerezwa kuba yararonse inyigisho ku nyigisho ngengamibano y'Ekleziya, kahise n'ubuzima bw'igihugu. Kuja mu vya politike kugira ibintu bihinduke bifata umwanya muremure.

Nta wocika intege, bisaba guhozako n'ukudacika intege ubona ko n'intambamyi z'uguhindura ibintu kugira bigende neza zitabuze.

**Intambamyi z'ukuja mu vya politike**

Intambamyi nyamukuru ituma abakristu batagira uruhara ruboneka mu vya politike ngo bahindure ibintu ni ukuba ba sindabibazwa mu vya politike, ugasanga ntaco banezwe, kubona ko umenga ntibibaraba, ukamenga hariho abo vyagenewe n'abandi bitaraba.

Abakristu benshi ivya politike babifata minenerwe, mugabo bakaguma bidoga ngo bigenda nabi, ntibanasabire abo biriko biragora, bakabona umenga politike ni ahantu hameze nabi ata kwemera kuriyo, harangwa amanyanga n'ibiturire, ku buryo hari n'abavuga ko politike ari umwuga w'ukubesha.

Ariko si vyo. Ekleziya itwigisha ko gukwepa politike ari uburyo bwo kurekera isi mu karenganyo.

Uruhara rw'Ekleziya si ukuja mu vy'intwaro, kuja mu nzego. Ifise uruhara rw'ukumurikira n'inyigisho n'impanuro agatimampanuzi k'abatwara n'abatwarwa.

Umukristu mu vya politike ategerezwa kuba akarorero k'umuntu w'intahinyuka, umwizigirwa, arwanya igiturire.

Iyindi ntambamyi ni ukudahinduka bivuye ku mutima.

Abantu bakaba basenga ariko badahinduka. Basenga bongera barya ibituririre, barenganya, bakora nabi akazi bajejwe mu gutakaza umwanya n'ibindi.

Ku bijanye n'ibiturire, Papa Fransisko avuga ko igiturire ari « kanseri » yo mu kibano yica ubwizigirwa n'itunga rusangi.

Umwe wese aho ari, ahamagariwe guhinduka ni ho politike ishobora kuba isoko ry'iterambere, inyungu rusangi, ubutungane n'amahoro bigaca bisasagara.

Nk'umukristu w'umukatolika, kuja mu buzima bwa politike ni umuhamagaro ufise intumbero yo guhindura ibintu mu gihugu bikaba vyiza kurusha uko vyahora akurikije Ijambo ry'Imana.

Uko kugira uruhara mu vya politike bitegerezwa gukorwa mu kwicisha bugufi, ubwitonzi no mu guhozako mu ntumbero y'ugusasagaza itunga rusangi. Umwe wese ku rugero rwiwe, ahamagariwe kuzirikana ubwo butumwa kugira ngo abe uwuremesha amahoro n'ubutungane kw'isi.

**Gusozera**

Kuja muri politike ni uruhara n'ubutumwa bw'umukristu uwari we wese. Si ukuja kurondera ubutegetsi, icubahiro canke kuja kwiteza imbere ; ni ukuja gusukurira abandi mu kurondera inyungu rusangi mu gukurikiza imigenzo myiza y'Inkuru Nziza.

Mu gukurikiza inyigisho z'Ekleziya, mu gusenga n'ugushishoza mu bwitonzi, umukristu arashobora kugira uruhara ruhambaye mu guhindura isi.

Umukristu wese niyibuke amajmbo ya Papa Fransisiko: « Politike ni uburyo bumwe buhambaye bw'ukugaragaza urukundo kubera ko irondera inyungu rusangi».

***Biracaza***

*Igisata kijejwe Ubutumwa bw'ubutungane n'amahoro muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura «CJP Bujumbura»*

# Abantu botegera bate ubuzima bwo mw'ibohero

Mu nyigisho yatanze aho yamenyesha uyu mwaka, ku munsi mukuru wa Asensiyo y'umwaka uheze wa 2024, amenyesha umwaka wa Yubile, ku kanomero k'10, Papa Fransisko yavuze ati : « ***Muri uyu mwaka wa Yubile, ku buryo budasanzwe, duhamagariwe kuba ibimenyetso bizima, kandi biboneka vy'umwizero utazeruka w'Imana kuri abo bose babayeho mu buryo buteye ikigongwe.***»

Abo nabo yabashize muri iyi migwi : abagwayi, urwaruka, inyambukira, abageze mu zabukuru, aboro n'abanyororo.

Patiri Eugène Nsanzerugeze, arongoye igisata gishinzwe Ubutumwa n'inyigisho ndoramana mu Nama y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi, akaba ari nawe arongoye kuri urwo rwego Umugwi mpanuzwajambo ushinzwe ivya Yubile, aratanga inyigisho ishimikiye ku mugwi w'abanyororo, imbohe, abafungwa, agatomora imbohe iz'ari zo, ic'ari co ibohero, n'ico umuntu wese ahamagariwe gukora kugira ngo uyo mugwi w'abo bantu umenye ko nawo nyene ugifise agateka.

***1. Ico Papa avuga ku bafunzwe ni iki ?***

(Soma akanomero k'10 k'inyigisho ya Papa: De Spes non confundit).

Umuvyeyi wacu Papa, Nyakwigendera Fransisko, muri iyo nyigisho yiwe nkuru arasaba ashimitse vuga ati : « Kw'isi yose abakristu bose cane cane abungere b'Ekleziya gatolika bategerezwa kudatinya gushira hamwe amajwi, bagatera akamo ababijejwe, kugira habe ugusonera imfungwa, ukubatezurira, canke ukubarekura, ugukura igihano c'ukwicwa kuko gihushanye rwose n'ukwemera kwacu ; kuko bitagenze uko nta karyo na gato abafunzwe boronka ko gushobora kwisubirako, canke ngo bashobore gusaba ikigongwe. »

Papa rero ashishikara agira ati : « niyumviriye abari mw'ibohero, kuko batagira umwidegemvyo maze ku munsi ku munsi bakama bahanzwe n'amakuba y'ubuzima barimwo, harimwo kudashobora kuryoherwa nk'abandi, kuba mu mategeko arimwo amananiza, mbere rimwe na rimwe hakajamwo n'agasuzuguro. »

Iyo ngendo ya Papa yo kubasabira gutezurirwa si nshasha kuko tuyisanga mw'ijambo ry'Imana nkuko tubisoma muri Bene Levi 25, 10 : « Umwaka ugira mirongo itanu muzowugira mweranda, hanyuma mutangaze umwidegemvyo mu gihugu ku bakibamwo bose ; [….] umuntu wese muri mwebwe azosubira mu muryango wiwe. »

Iyo nyigisho tuyisanga kandi kwa Izaya 61,1-2 ari na yo majambo Yezu azogira rwiwe mu ntango y'ubutumwa bwiwe : « Mutima w'Umukama Imana ari kuri jewe kuko yansize amavuta kugira menyeshe Inkuru nziza aboro. Yandungitse kuremesha abo umutima wavunitse, kumenyesha ko abari bagizwe imbohe barekuwe, ko abapfunzwe bugururiwe, andungika no kumenyesha umwaka w'ubuntu bw'Umukama... »

Mu Nkuru nziza dushikirizwa na Luka 4, 16-19 amajambo asa nayo: « Mutima w'Umukama ari kuri jewe, kuko yansize amavuta ngo menyeshe inkuru nziza aboro ; yandungitse kumenyesha ababoshwe ko babohowe, abahumye ko bahumutse, abacinyijwe ko babohowe, andungika no kumenyesha umwaka w'ubuntu bw'Umukama. » Yezu azoca yiroreshako ayo majambo nk'uwuje kuyarangura. « Uyu musi muriyumviye ko ayo majambo ari mu vyanditse arangutse ».

Bavukanyi dusangiye Umukiza, twibaze, twiterere aka kabazo k'intangamarara :

***2. Imbohe ni nde ?***

***Ijambo imbohe***

Muravyumva mwese, rivuye mu kuboha, kubohwa. Imbohe rero ni umuntu, kubera ivyo yoba yagirizwa, biba ngombwa ko bamufata, hakurikijwe amategeko, bakamuboha kuko batinya ko yobatoroka, canke akabarwanya, maze bakamushikana mu kibanza yagenewe twita ibohero ; ahubwo noshima ijambo ikosorero. Impande y'iryo jambo, hariho umufungwa.

Muca mwumva ko na ryo nyene ntiriri kure y'iryo ry'imbohe ; bashimikira kur'uko abayeho yugaranywe, adashobora kwidegemvya ngo aje aho ashaka, akore ico ashaka, arabe uwo ashaka, yigenze uko ashaka..

Hariho kandi n'irindi jambo ni umunyororo. Aha muca mwumva ko bikomeye. Ico bakoresha kera mu kuboha imfungwa, ibitsibo vy'icuma bashobora kubohesha umufungwa. Petero mu kumufunga, bakoresheje iminyororo ibiri ku maboko, bamushira hagati y'abasirikare babiri (cf Ibik 12, 6).

Twibuke mu njili aho Luka 8, 26-39 batubwira wa muntu yari yiziziwe na shetani Gitero. Bavuga ngo : « N'aho bamubohesha iminyororo, bakamuzikisha ibitsibo ku maguru, yarabicagagura ».

Uyo muntu murumva ko nawe yari yarabaye imbohe ya Shetani yamwica nabi. Umunyororo kandi ushobora gusigura nyene gufungwa, canke igihano yaciriwe kumara mw'ibohero. Naka bamuciriye umunyororo w'imyaka iyi n'iyi, barakunda kubivuga.

Hari kandi n'irindi jambo : imvuto rikoreshwa n'irivuga guta. Nico gituma bavuga guta mu mvuto, mw'ibohero.

**Biracaza**

***Patiri Eugène NSANZERUGEZE, arongoye igisata gishinzwe Ubutumwa n'inyigisho ndoramana mu Nama y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi, akaba ari nawe arongoye kuri urwo rwego Umugwi mpanuzwajambo ushinzwe ivya Yubile.***

# Uburenganzira bw'umwana atabana n'abavyeyi bompi

Umwana arafise uburenganzira bwo kurerwa n'abavyeyi bompi. Ariko rero hari aho bishika ko umwana arerwa n'umuvyeyi umwe.

Ivyo navyo bishika igihe ari umwana w'ishushu, igihe sentare yafashe ingingo yo gushinga aho abubakanye baba mu kurindira ko urubanza rwo kwahukana rucika canke igihe abavyeyi bahukanye akaregwa n'umwe mu bavyeyi canke uwundi muntu abirekuriwe n'amategeko, igihe umwe mu bavyeyi yitavye Imana, igihe umwe mu bavyeyi aba mu gihugu ca kure ku buryo umwana atoroherwa kumushikira canke igihe umwe mu bavyeyi yataye umuryango.

Uko biri kwose, umwana ategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwiwe bwose.

Tutirengagije uburenganzira bw'umwana muri ru-sangi, tuja gushimikira ku burenganzira bw'umwana atabana n'abavyeyi bompi:

* Igihe umwana ari uw'ishushu canke abavyeyi batubakanye akabana n'umwe muri bo,

* Igihe umwe mu bavyeyi aba mu kindi gihugu ,

* N'igihe sentare iri mu nzira yo gufata ingingo yo kwahukanisha abavyeyi canke yabahukanishije hanyuma igashinga ko umwana



abana n'umwe muri bo.

Uburenganzira bw'umwana atabana n'abavyeyi bompi butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira.**

Uburenganzira bw'umwana atabana n'abavyeyi bompi butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye aho twovuga :

* Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu

* hamwe n'amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana.

***a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu.***

Abana bose bavutse ku bavyeyi bubakanye canke ku batubakanye bategerezwa kwitabwaho kumwe nk'uko ingingo ya 25 y'iri tangazo ibitegekanya mu gace kayo ka 2.

***b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abana***

Umwana arafise uburenganzira bwo kugiriranira imigenderanire n'umuvyeyi mu gihe batabana.

Bishika igihe abavyeyi biwe bahukanye akabana n'umwe muri bo canke igihe sentare yategetse ko arerwa n'uwundi muntu atari se canke nyina.

Bitegekanijwe n'ingingo y'9 mu gace kayo ka 3 kavuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano bitegerezwa kwubahiriza uburenganzira bw'umwana atabana n'abavyeyi biwe bompi canke umwe muri bo, bwo kugiranira imigenderanire nabo, kiretse mu gihe bigaragaye ko iyo migenderanire iteye kubiri n'ineza y'umwana.

Umwana arafise uburenganzira bwo kuva mu gihugu ciwe c'amavukiro n'ukukigarukamwo igihe agiye kuramutsa umwe canke abavyeyi biwe baba mu gihugu gitandukanye n'ico uwo mwana asanzwe abamwo.

Tubisanga mu ngingo ya 10 mu gace kayo ka 2 kavuga ko umwana afise abavyeyi bataba mu gihugu kimwe afise uburenganzira bwo kugira imigenderanire n'mibonano n'abavyeyi biwe kiretse igihe ingendo zahagaritswe kugira ngo hacungerwe umutekano w'igihugu canke amagara y'abantu.

**2. Ingene amategeko y'igihugu ategekanya ubwo burenganzira.**

Mu mategeko y'igihugu c'Uburundi, tuja kwisunga ibiri mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'umwana atabana n'abavyeyi bompi

(Bitangurira ku rup.10)

Nk'uko twabivuze mu ntangamarara, umwana w'i-shushu arafise uburenganzira bwo kwandikwa mu bitabu ndangamuntu kugira ashobore kuronka uburenganzira bwo kuvugwa ku buntu mu gihe atarashikana imyaka itanu kandi ashobore kuronka inyigisho ku buntu igihe azoba ashikanye imyaka yo kwiga.

Iyo umwana yavutse ku bavyeyi batubakanye, uwo mwana arafise uburenganzira bwo kwirondera se yamuvyaye iyo atamwemeye.

Umwana akiri muto, urubanza rushingishwa na nyina igihe ariwe babana. Amaze gukura, umwana niwe ashingisha urubanza rwo kwironderera se yamuvyaye.

Urubanza rushingirwa uwitwa ko ari se. Iyo yamaze kwitaba Imana, rushingirwa ba samurarwa biwe.

Umwana ashobora kandi kutabana n'abavyeyi bompi igihe sentare yafashe ingingo yo gushinga aho abubakanye baba hanyuma igashinga ko abana babana n'umwe mu bubakanye mu kurindira ko urubanza rwo kwahukana rucika ariko naho nyene ineza y'umwana iguma ishirwa imbere muri vyose.

Tubisanga mu ngingo y'172 ivuga ko igihe abubakanye bakirondera kwahukana kandi bisabwe n'umwe muri bo, sentare ni yo ishinga, yisunze ineza y'urugo n'iy'abana, aho umwe wese azoba araba.

N'aho abana baba batandukanijwe n'abavyeyi, uburenganzira bwo kugiriranira imigenderanire na bo bugumaho.

Urubanza rumaze gucika umwana arafise uburenganzira bwo kuronswa umurezi mu gihe sentare isanze ari ngombwa.

Tubisanga mu ngingo y'184 ivuga ko sentare ite-geka ko abana bose canke bamwe mu batarashikana imyaka itegetswe n'amategeko kugira ngo bemezwe ko bakuze, barabwa na se, nyina canke uwundi muntu.

Iyo ngingo ishobora gufatwa bisabwe n'umwe mu bahukanye, uwo mu muryango, umushikirizamanza canke sentare ikayifatirayo nyene. Irashobora guhindurwa igihe cose bisabwe ku neza y'umwana.

Uwo ari we wese boshinga kurera abana, se na nyina babo bagumana itegeko ryo kugenzura ko abana biga, bavuzwa igihe barwaye n'ingene barezwe bakanabibafashamwo mu buryo bashoboye. Umuvyeyi atari we areze abana, arafise uruhusha rwo kuja kubaramutsa.

Vyongeye, nk'uko amategeko ategekanya gukingira abana n'igihe batabana n'abavyeyi bompi, uburenganzira bwo gutorana barabugumana n'aho abavyeyi baba bahukanye.

Bitegekanijwe n'ingingo y'186 aho ivuga ko ukwahukana kw'abubatse kutabuza abana bavyaranye kuronka ibintu amategeko abarekurira bivuye ku ndagano z'ukwabirana z'abavyeyi babo.

Ahubwo, babironka nk'uko bari kubironka abavyeyi babo bagumye babana.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umwana atabana n'abavyeyi bompi aguma afise uburenganzira bwo kubahirizwa mu gateka kiwe. Umwana w'ishushu arafise uburenganzira bwo kurondera se yamuvyaye iyo nyina atabikoze akiri muto.

Twabonye kandi ko umwana ashobora kandi kutabana n'abavyeyi bompi igihe sentare yafashe ingingo yo gushinga aho abubakanye baba mu kurindira ko urubanza rwo kwahukana rucika ariko naho nyene ineza y'umwana iguma ishirwa imbere muri vyose.

Ikindi ni uko uwo ari we wese ashinzwe kurera abana urubanza rumaze gucika, se na nyina babo bagumana uruhara ntangere rwo kugenzura ko abana babayeho neza n'ingene barezwe bakanabibafashamwo mu buryo bashoboye.

Umuvyeyi atari we areze abana, arafise uruhusha rwo kuja kubaramutsa.



*Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Nitwitabe amatora yimirije nk'abasangira rugendo kubw'ukwizigira

Bakristu dusangiye ukwemera, twebwe abungere banyu, turabaramukije amahoro y'Imana.


Amatora twimirije ahuriranye n'umwaka uhimbaye wa Yubile y'imyaka ibihumbi bibiri na mirongo ibiri n'itanu (2025) y'Ekleziya yose, na yubile y'imyaka ijana iheze tugabanye abasaseredoti ba mbere b'i-mvukira mu Burundi.

Ni umwaka w'imigisha n'imihezagiro nk'uko tubisoma mu gitabo ca Bene Levi mu kigabane ca 25, umwaka Ekleziya idutumira kuba "abasangirarugendo k'ubwukwizigira". Uwo "mwizero ntutetereza kuko urukundo rw'Imana rusasagaye mu mishaha yacu" (Abanyaroma5,5).

Uyu mwaka kandi ni umwaka w'amatora mu Gihugu cacu. Naho muri Afrika, eka mbere n'aha iwacu, amatora kenshi na kenshi akunda gutera ubwoba, twebwe Abungere banyu, tuje kubatera akamo gashimikiye ku kwemera kwacu: Nk'-uko Petero mweranda abitwigisha " ijuru rishasha n'isi nshasha nivyo turindiriye (nkuko Umukama yabituraganiye) niho ubutungane buzoba burangwa n'uko rero bakunzi banje umwanya mukibirindiriye ni mugire umwete wo kuzosangwa mu mahoro mutagira agahonzi n'amahinyu imbere yiwe" (2Petero 3,13-14).

Nidukomeze rero ukwizigira dukura kuri Yezu Kristu, ntihagire ikiduhungabanya.

None ivyoturanga muri ibihe kugirango dukomeze



ukwo kwizigira ni ibihe?

Dukundire tubashikirize bimwe bimwe twokwitwararika ngo tuzigame uwo mwizero muri ibi bihe vy'amatora:

- Tuzirikane ko kuja gutora ari uburenganzira ku mwenegihugu wese akwije imyaka isabwa n'amategeko. None twitabe ico gikorwa c'iteka dufatanye mu nda kandi turondera ineza y'igihu-gu
- Dušabe indongozi kuva hejuru gushika ku mitumba guhagararira ubutungane, amahoro n'umutekano kuri bose hisunzwe amategeko.
- Twibutse abarongoye imigambwe kuva hejuru gusika ku mitumba guhimiriza abanywanyi bayo kugira ingendo yo kwubahana no kudatyozanya.
- Mu budasa bwacu, tugire ishaka ry'ukwama turondera kugorora ivyo vyose vyobera intambamyi ingendo y'amahoro n'iterambere,
- Tuzotore twisunze imigambi izoduteza imbere Abenegihugu,
- Dushire imbere ico co-se cotuma haba amato-ra yo ku mugaragaro, mu mwidegemvyo, mu mahoro n'umutekano a-tagukumirana.

Izo mpanuro tuzigendeye zizodufasha kugira a-matora meza, akomeza intwaro rusangi, amahoro n'iterambere birama. Tuzoba mbere twitavye ka kamo Petero mweranda adutera ngo turindire ijuru rishasha n'isi nshasha Umukama yatwemereye turangwa n'urukundo hamwe n'umwete wo kuremesha amahoro.

Nico gituma twebwe Abungere banyu, tubasavye kandi ngo muri iyi intambwe ihambaye y'igihugu cacu duhurikire hamwe dusabe Umukama ngo shetani sekibi ntitubibemwo imbuto mbi y'i-vyiyumviro n'inyifato vyohava bidutesha iyo ntumbero y'amahoro.

Umuvyeyi wacu Bikira Mariya, Mugabekazi w'amahoro, akaba n'Umukandizi w'Uburundi bwacu nabandanye adusabira ku Mwana wiwe, kugirango muri aya matora tugume turi "abasangirarugendo kubw'ukwizigira". twubake igihugu c'amahoro kuko ariyo aruta vyose.

Imana ibahezagiye kw'izina rya Data na Mwana na Mutima Mweranda.

***Abungere banyu:***

1. Bonaventure Nahimana, Umwungere Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega akaba n'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi.
2. Salvatori Niciteretse, Umwungere wa Diyoseze ya Bururi, akaba n'Icegera c'Umukuru w'Inama y'Abepiskpi Gatolika b'i Burundi
3. Gerevazi Banshimiyubusa, Umwungere Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura
4. Yohakimu Ntahondereye, Umwungere wa Diyoseze ya Muyinga
5. Buraziyo Nzeyimana, Umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi
6. Joriji Bizimana, Umwungere wa Diyoseze ya Ngozi
7. Emmanueli Ntakarutimana, Umwungere wa Diyoseze ya Bubanza
8. Lehonidasi Nitereka, Umwungere wa Diyoseze ya Rutana.

***Patiri Noël Ntirandekura***